**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO N°15 RY'INAMA IDASANZWE Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 13 KIGARAMA 2023

Abashikiranganji bagize Reta y'Uburundi barakoranye mu nama idasanzwe kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 13 Kigarama 2023, i Bujumbura, ikaba yari irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Imbere yo gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yabanje guha ikaze Umunyamabanga Mukuru wa Reta mushasha aboneraho no kumukeza ko aherutse kwizerwa n'Umukuru w'igihugu akamugena muri ayo mabanga ahambaye. Yaramumenyesheje ibintu bibiri bikurubikuru Reta igenderako na vyo bikaba ari gusenyera ku mugozi umwe no kuba magiriranire. Yamusavye gukorana neza n'abashikiranganji n'abandi bose, kugirango ibintu vyose bibandanye bigenda neza, aca amwipfuriza kuroranirwa.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama rukongera rukemezwa, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, akaba yari yayirongoye kw'igenekerezo rya 12 Kigarama 2023, ivyari vyizwe navyo bikaba ari navyo vyashizwe ku rutonde rw'ivyihwezwa. Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza ico cegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, caremejwe maze batandukira ivyihwezwa na vyo vyari ibi bikurikira:

1. **Icegeranyo cerekana ingene amafaranga ya Reta yakoreshejwe mu gice ca mbere c'umwaka w'amafaranga ya Reta wa 2023 ushira uwa 2024,** cashikirijwe n' umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Ico cegeranyo caje cisunga ibitegekanywa n'ibwirizwa rigenga ikoreshwa ry'amafaranga y'igihugu. Ikoreshwa ry'amafaranga ya Reta muri iki gice ca mbere c'umwaka ryabaye mu gihe Reta y'Uburundi yagiranye n'Ikigega

mpuzamakungu kijejwe amafaranga amasezerano yo gushigikira Uburundi mu kiringo c'amezi mirongo itatu n'umunani (38) uhereye muri Mukakaro 2023.
Muri uwo mugambi, hari impinduka mu vy'ubutunzi zitegerezwa kuba kandi hakaba n'ivyisungwa mu gusuzuma ko zashizwe mu ngiro.

Iki gice c'umwaka caranzwe kandi n'ingaruka zifatiye kw'itituka ry'agaciro k'ifaranga ry'Uburundi ryabaye kw'igekerezo rya 04 Rusama 2023. Ibiciro vyaraduze ku rugero rwa mirongo ibiri na bitandatu n'ibice umunani kw'ijana (26,8%) mu mpera z'ukwezi kwa Nyakanga 2023, aho ni mu gihe muri Nyakanga umwaka w'2022 vyari ku rugero rwa cumi n'umunani kw'ijana (18%).

Muri iki gice ca mbere c'umwaka, ku mafaranga yari yategekanijwe kwinjira mu kigega ca Reta harabuzemwo ibice bitatu n'ivy'ijana mirongo umunani (3 ,80%). Ariko ugereranije no ku mwaka uheze muri iki kiringo nyene, biboneka ko ayinjiye yiyongereye ku bice cumi n'umunani n'ivy'ijana mirongo itanu na bitatu (18,53%).

Ku mpera z'ukwezi kwa Nyakanga 2023, amafaranga yose hamwe yakoreshejwe ashika ibice mirongo ine n'umunani n'ivy'icumi icenda ( 48.9%) ufatiye ku yari yategekanijwe gukoreshwa muri iki gice, ariko ayategekanijwe kuzosohoka ashika ibice mirongo icenda na bine n'ivy'icumi bibiri kw'ijana( 94.2%).

Inama nshikiranganji imaze kwihweza ico cegeranyo, yaracemeje, ivyo yashikirije mu kucunganira navyo ni ibi bikurikira:

- Kuraba ko bikenewe yuko ikigo OBUHA kijejwe inyubako cobandanya kirangura ibikorwa vy'ubushikiranganji bwose bijanye n'inyubako canke ko vyosubira mu bushikiranganji butandukanye;
- Gushira mw'ibwirizwa risubiramwo amafaranga Reta ikoresha ku mwaka, ingingo irekurira ubushikiranganji gushobora kwirangurira ibikorwa bimwe bimwe bijanye n'inyubako ;
- Kudategeka ishirwa hamwe ry'amasoko mu kugura ibikoresho kuko igitabu c'amategeko agenga amasoko ya Reta ntikibigira itegeko .

2. **Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ibwirizwa rishinga amafaranga akoreshwa na Reta y'Uburundi mu mwaka wa 2023 ushira uwa 2024,** na yo nyene yashikirijwe n'Umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Isubirwamwo ry'iri bwirizwa ryisunze itituka ry'agaciro k'amafaranga y'amarundi, kuko ivyo bitari vyisunzwe mu ririko rirashirwa mu ngiro muri kino gihe. Ivyo biraba ahanini uburyo butegerezwa gusohoka nko mu kuriha amadeni yo hanze y'igihugu, ayakoreshwa n'ubuserukizi bw'Uburundi mu makungu,

n'ibijanye n'ifutwa ry'ingingo yahagarika itangwa uturusho dufatiye ku mapete mu kazi ku mwaka ku mwaka mu bisata bigengwa n'amategeko vyiharije.

Iyi nteguro ije kandi mu gihe himirije isuzuma rya mbere ry'umugambi ujanye n'ubutunzi, rifatiye ku masezerano Reta ifitaniye n'Ikigega mpuzamakungu (FMI).

Ku vyerekeye ubutunzi, bitegekanywa ko buziyongera ku rugero rw'ibice bitatu kw'ijana (3,0%) muri uyu mwaka wa 2023, aho mu gihe bwari bwiyongereye ku rugero rw'igice kimwe n'ivy'icumi munani (1,8%) mu mwaka wa 2022. Bitegekanijwe ko mu mwaka wa 2024 buziyongera ku rugero rw'ibice bine n'ivy'icumi bitatu kw'ijana (4,3%).

Mu ntumbero yo kugabanya igihengeri kiri mu mahera Reta iriko irakoresha, hari ingingo ngenderwako zapfunditwe mu gihe iyi nteguro yariko iratunganywa. Nazo ni izi zikurikira:

- Nta bikorwa bishasha bitari vyategekanijwe bishirwa muri iyi nteguro ;
- Uburyo bwategekanijwe ku bikorwa bijanye n'inyubako canke gusanura ariko bikaba bitaratangura biravanwamwo, bikazoshirwa ku rutonde rw'ibizorangurwa mu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025;
- Ibikorwa bitegekanywa kurangurwa ibigo OBUHA na ARB mu gice ca gatatu n'ica kane vy'uwu mwaka biravanwamwo kiretse imishahara igumamwo, ivyo bigo bikazobandanya gukoresha amafaranga ari ku makonte yavyo;
- Ibikorwa bitegekanywa kurangurwa na FONIC mu gice ca gatatu n'ica kane vy'uwu mwaka biravanwamwo kiretse imishahara igumamwo, FONIC ikazobandanya ikoresha amafaranga ari ku makonte yayo;
- Gukuramwo ibijanye n'ivyo Reta igura bikarihwa mu mahera mvamakungu bikazotegekanywa mu bizorangurwa mu mwaka wa 2024 ushira uwa 2025;
- Mu bijanye no guhinyanyura ivyorangurwa mu gice ca gatatu n'ica kane mu bijanye, igisata cose coraba mu buryo cahawe n'ico bwagenewe kigaheza kigahinyanyura;

Mu ntumbero yo kwongereza amafaranga yinjira mu kigega ca Reta, hazokorwa ibi bikurikira:

- Kubandanya gutsimbataza ikoreshwa ry'ubuhinga bwa none;
- Gutsimbataza ibikorwa vyo gusuzuma no kugenzura ;
- Gushiraho amategeko yose akenewe.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, ivyashikirijwe mu kuyunganira na vyo ni ibi bikurikira :

- Guhagarika igurwa ry'amamodokari kiretse
  - Mu Gisirikare no mu Gipolisi;
  - Mu bushikiranganji bw'ubutungane;
  - N'imodokari munani wigenewe amashure afise uburaro.

- Kugumiza muri iyi nteguro amafaranga yo kugura ubuhinga (logiciel) bwo gukora ibitabo vy'inzira ;
- Ku vyerekeye Sentare ntahinyuzwa, Paraki Nkuru ya Repuburika, na Sentare ijejwe kwubahiriza Ibwirizwa Nshingiro, amafaranga yahora yandikwa ku barongoye ivyo bisata yokwandikwa ku bisata ;
- Gusubiramwo urugero rw'amafaranga agenewe abanyeshure biga mu mahanga, hisunzwe itituka ry'agaciro k'amafaranga y'amarundi ;
- Gutegekanya amafaranga agenewe umugwi ukurikirana irangurwa ry'umugambi ufashwe mu mugongo n'Ingoma y'Abarabu (Arabie Saoudite) wo kwubaka Kaminuza y'imyuga mu ntara ya Cibitoke;
- Gutegekanya:
  - Amafaranga agenewe amashami y'ikigo kijejwe gutororokanya amaraso « CNTS» akorera mu gihugu hagati;
  - Amafaranga yo kwongereza umutahe mw'ishirahamwe rijejwe gukoresha no kubungabunga umuhora wo gutumatumanako amakuru ku buhinga bwa none «STNB».
  - Amafaranga yo gutanguza iyubakwa ry'ikivuko kw'isi yumye i Kwala muri Tanzaniya;

Ibindi vyashikirijwe mu kwunganira iyo nteguro ni ibi bikurikira:

- Kwandika imvo n'imvano mu buryo butomoye bwerekana neza igituma hamwe amafaranga yongerezwa ahandi akagabanurwa ;
- Kugumizamwo amafaranga agenewe iyubakwa ry'ibarabara ry'indarayi;
- Kunyarutsa ibikorwa bijanye no gusanura ibarabara RN9 rya Bujumbura-Bubanza;
- Gutegura indinganizo yerekana ingene amafaranga igisata kijejwe inyubako « OBUHA » kitakoresheje yokoreshwa n'ubushikiranganji butandukanye;
- Gusuzuma ko hari akarusho kavuye mw'ishirwa hamwe ry'amasoko yo kugura ibikoresho vya Reta canke ko vyosubira uko vyahoze;

- Gusubiza mu bushikiranganji bw'indero n'ubw'amagara y'abantu amafaranga yaca mu bundi bushikiranganji ariko bugenewe ibikorwa vyitirirwa ubwo bushikiranganji bubiri, kugirango bushobore gukwiza amanota asabwa ngo bwizerwe n'abafashanya n'Uburundi ;
- Ibikorwa vyameze gutangura vyobandanya;
- Gutsimbataza intwaro ibereye mu bushikiranganji bwose canecane ubuhagarariye ubusugire bw'igihugu (souveraineté), aha twovuga nk'ubw'ubutungane, ukwivuna abansi, umutekano, imigenderanire y'Uburundi n'amakungu, ikigega ca Reta;
- Amafaranga yari yategekanijwe ku bushikiranganji bw'indero yose yogumaho;
- Gutomora mu kigo OBUHA aho amafaranga yo kwubaka ibitaro vy'uturere muri NYABIKERE, BUSONI na NTEGA yokwandikwa;
- Mu gukomeza imihora yo guhuza ubushikiranganji n'izindi nzego mu mugambi wahora ufashwe mu mugongo n'Ibanki y'isi yose, uburyo buzova mu Kigega kijejwe gufasha mw'ikwiragizwa ry'ubuhinga bwa none bwo gutumatumanako amakuru mu Burundi;
- Ubushikiranganji bubona ko bikenewe gusubiramwo neza ibiharuro, bwokorana n'ubushikiranganji bw'ikigega ca Reta ariko ntihagire ibikorwa bishasha vyinjizwamwo ;
- Mw'igaburwa ry'amafaranga atozwa nko mu masoko canke mu mazu y'ubudandaji, hagati ya Mairie na OBR, ibice mirongo ibiri kw'ijana (20%) vy'ayatojwe bizokwegukira Mairie ;
- Ku vyerekeye iyinjizwa ry'ibidandazwa biva hanze, hoba gutandukanya ibidandazwa bisanzwe n'ibindi vy'abifise ( ibinyobwa vy'injabuka harimwo n'amazi ava hanze, imiduga y'agaciro, imivinyu n'izindi njabuka zikaze, n'ibindi) maze ibigurwa n'abatunzi bashaka kwinezereza bikarihishwa tagisi yo ku rugero rwo hejuru;
- Kugabanya tagisi itangishwa kw'isukari yinjira iwa hanze kugirango abayirangurira hanze bayizane ku bwinshi;
- Kugwiza na kabiri tagisi ku modokari y'agaciro iyo umuntu aguze iyigira kabiri ;
- Gushira muri iri bwirizwa ibihano bitegekanywa n'ibwirizwa rigenga amakori ku bahanuzi b'abadandaza mu bijanye n'amakori bagize uruhara mu busuma bw'amakori;
- Kugwanya ingeso yo gusaba amadeni mu mabanki aha mu gihugu agaheza akaja gukoreshwa hanzi y'igihugu;

- Gusubiramwo amategeko agenga amasoko ya Reta hakajamwo ingingo itegeka abaja mu masoko ya Reta kubanza kwerekana imigambi bazorangura mu nyungu bazoyakuramwo;
- Kwiyumvira inzira zo kwongereza amafaranga yinjira mu kigega ca Reta ;
- Kugwiza ibishorwa hanze y'igihugu no gukurikirana neza ingene bikorwa kugirango igihugu kigire ico gikuyemwo;
- Kunyarutsa ikwiragizwa ry'ubuhinga bwa none mu bisata vya Reta vyose kugirango bifashe Reta kumenya ivyo igihugu gitunze ;
- Abashikiranganji basabwa gutsimbataza intwaro ibereye mu bisata vyose bajejwe.

3. **Urwandiko rujanye n'ibikorwa vyo gusanura ibarabara RN9 rya Bujumbura-Bubanza, igice co kuva ku ruzi Gikoma gushika ku mugwa mukuru w'Intara ya Bubanza be n'agace gapima ikirometero kimwe uja kw'isoko ya Bubanza,** rwashikirijwe n'umushikiranganji w'inyunbako, ibikorwa n'ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro.

Kimwe mu mahangiro y'imbonakazoza yo mu 2040 ni uko ibice mirongo icenda kw'ijana (90%) vy'amabarabara mu Burundi vyoba bimeze neza, haba muci canke mu gihe c'imvura. Ivyo navyo bishoboka hagiye hariyumvirwa ingene ayameze nabi yosanurwa, hakwubakwa na mashasha.

Uru rwandiko rwerekeye isanurwa ry'ibarabara Bujumbura -Bubanza rizofasha vyinshi mw'ihanahana ry'ibidandazwa mu gice c'uburengero bw'igihugu.

Rujanye n'igice caryo co kuva ku ruzi Gikoma gushika ku mugwa mukuru w'Intara ya Bubanza be n'agace gapima ikirometero kimwe uja kw'isoko ya Bubanza**.**

Mu mashirahamwe yahamagawe, vyarabonetse ko uwarushije abandi yakoreheje urugero runini mu guhindura amafaranga mvamakungu ayashira mu marundi . Yasabwe kubihindura. Kubera hari ibikoresho biva hanze y'igihugu azokworoherezwa mu kuronka amafaranga yo kubigura.

Uru rwandiko rusaba inama nshikiranganji ko yokwemera ko ibikorwa vyo gusanura ico gice c'ibarabara vyobandanya.

Inama nshikiranganji yaremeye ko ivyo bikorwa bibandanya, ivyashikirijwe mu kwunganira urwo rwandiko na vyo ni ibi bikukurikira :

- Kuzokworohereza ishirahamwe ryatsindiye isoko kuronka uburyo bwo kugura ibikoresho biva hanze y'igihugu;

- Kwubaka amaburi ngabanya-muvuduko w'imodokari mw'ibarabara (dos-d'âne) ku buryo butonona imodokari ziri hasi ;
- Kurondera ishirahamwe ritomoye rizocungera ibikorwa vy'iryo barabara ku ntambwe ku ntambwe.
- Ku vyerekeye igice c'ibarabara kuva haruguru y'isoko ya COTEBU gushika ku ruzi Gikoma, ni kuvugana n'abemeye gutanga uburyo bwo kurisanura kugira ngo naho nyene ibikorwa bitangure.

Bujumbura, igenekerezo rya 14 Kigarama 2023

**Umunyamabanga Mukuru wa Reta**

**Jérôme NIYONZIMA**